LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
*Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991*
*Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)*

Kampala, 25 Ruheshi 2026

# Itangazo rya mbere1 ku gateka k'abanyororo.

**Umugwi w'igihugu ujejwe agateka ka zina muntu CNIDH ukwiye kongereza inguvu mu gukwirikirana igikorwa c'ukubahiriza agateka k'abanyororo:**

**Abanyororo bo mw'ibohero rikuru rya Rumonge bavuye ku bice 173% gushika ku bice 202.5% mu kiringo c'umwaka umwe.**

---

Umuhari Iteka warahamagawe n'abapfungwa benshi muri iyi misi iheze hamwe n'abakozi bamwe bamwe b'amabohero ku gateka k'abanyororo kageze ahatemba.Ikibabaje cane n'uko amakuru ava mu mabohero atandukanye yemeza ubuzima buteye agahinda mu mpande zose.

Uno musi umuhari Iteka usabikanya uko vyifashe kuwa 25 Ruheshi 2026 mw'ibohero ryo mu Rumonge rizwi kw'izina rya Murembwe, riri muri zone Gatete, komine Rumonge, intara ya Burunga.

Mu bisanzwe, ibohero rya Rumonge rishoboye kwakira abapfungwa 800, kuwa 30 Ruheshi 2025, abantu bari bahapfungiwe bari 1384 ni ukuvuga **173%** kandi inyuma y'umwaka, kuwa 25 Ruheshi 2026, abahapfungiwe ni 1620 ni ukuvuga **202.5%.** Hiyongereyeko **29.5%** mu kiringo c'amezi13.

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi

Kubwo ayo masoko nyene, abapfungwa babayeho mu buryo butubahiriza agateka ntayegayezwa,nko muvyerekeye uburaro,ugufungura hamwe n'amagara.Vyongeye,uruhande rw'ubwinshi bw'abanyororo rurahambaye mu gusigura ubwo buzima bubi.Kuvyerekeye **uburenganzira ku mfungurwa**, amasoko yacu yigana ko abanyororo bagaburirwa rimwe ku musi, kenshi na kenshi imfungurwa zigizwe n'ibiharage hamwe n'umutsima w'ibigori,ingaburo bafata ko idakwiye.

Kuvyerekeye **uburenganzira ku magara**, abapfungwa barwaye boba bataronka ubuvuzi ku gihe kandi boba kenshi bategerezwa gusaba ubufasha bw'imiryango yabo kugira baronke imiti canke ubuvuzi. Naho biri uko,abaforoma bariho bakorera mw'ibohero, ariko boba badababafise haba ibikoresho bibereye haba imiti ikwiye.Ayo masoko nyene amenyeshako kubera igitigiri c'umurengera c'abapfunzwe,abapfungwa benshi ntibafise ivyo baryamako,kandi boba bataronka imisegetera,mugihe ibohero ryegereye ikiyaga Tanganyika,akarere kazwi ko karimwo imibu myinshi. Ivyo bituma bashobora kwandura cane indwara ya marariya. Kubwo amakuru yatororokanijwe,abapfungwa bafashwe n'iyo ndwara boba bataronka iminsi yose imiti yagenewe kuvura marariya.

Kuri izo ngorane hiyongerako ikibazo co kuronka amazi meza kubera ku bwo amasoko twabajije,ibohero rya Rumonge ntamazi rifise,ivyunyura cane ubuzima abanyororo babayemwo hamwe no guhakwa kwandura indwara ziterwa n'isuku rike.

Twihweje ubwo buzima buteye agahinda kandi bwoba bwunyuka mu mabohero amwe amwe y'igihugu,ubu arenza ibice 450% nk'amabohero ya Muramvya, Mpimba na Ngozi ku bagabo. Umuhari Iteka uhamagarira :

**1° Umugwi w'igihugu wigenga ujejwe agateka ka zina muntu' CNIDH' :**

- Kurwiza ingendo mu mabohero kugira batohoze uko ibintu bimeze mu ntumbero yo kugondoza indongozi z'igihugu ku vyerekeye kwubahiriza agateka k'abanyororo.

**2° Ku mushikirizamanza mukuru wa Repuburika no ku muyobozi b'ibiro bikuru vy'amabohero (DGAP) :**

- Gutanguza vuba bwango ibikorwa vyo kugabanya ibitigiri vy'abapfungwa mu mabohero hamwe no kwubahiriza uburenganzira nshingiro bw'abapfungwa nk'ubururenganzira bwo gufungura n'ubw'amagara meza.

**Ku bwo umuhari Iteka**

**Anschaire NIKOYAGIZE, umukuru w'umuhari**

LIGUE ITEKA